VALLEY

Ishuri Valley High School rifita amateka n'igihe gitaha byiza. Intego yacyu y'uburezi kuri Valley ni gutegura umuhungu cyangwa umukobwa wawe kwinjira mu buzima arangijye amashuri afita ubumenyi, ubuhanga, amatwara byongeye azashobora kubona inyishu y'ingorane zo mu buzima. Dushaka ko abanyeshuri bacyu baheza amashuri ari abenegihugu bafita umusaruro kandi bishimiye ubuzima. Mu mwaka 2012, JCPS yakoresheje imiriyoni 26 z'amadolari mri Valley High School mu kubaka icyumba ca Leta co Gukoreramwo ubukorikori n'Ikibuga c'inkino cambere kinini mu mashuri yo kuva mu mwaka 9 gushika mu mwaka wa 12. Ishuri Valley riri mu kibanza cyiza co gutegura ibihe bitaha byiza by'abanyeshuri kubera ibintu byose bireba ishuri ryacu byarutswe mu kwitegurira ibihe bitaha byiza. Ishuri rifita imigenzo myiza y'ubumenyi bw'akataraboneka ibihe birebire. Turimbere mu kurongora inzira ya Porogarma y'Ubumenyi muri Louisville nk'ishuri rimwe mu mashuri 11 yo kuva mu mwaka wa 9 gushika mu mwaka wa 12 muri JCPS afite uruhara mu gutangiza Porogarama Y'Ishuri ry'Ubumenyi mu mwaka w'amashuri wa 2018-2019. Iruhande y'ubumenyi bw'umwuga, Valley ritanga amasomo ateyimbere (AP) atarimake, n'amasomo atanga amanota yemerwa muri Kaminuza n'amaseretifica yo gukora mu mahinguriro.

Umunyeshuri ashyira imbere

- Imituririre mitomito yo kwiga, imirwi mitomito y'abanyeshuri n'abigisha baha umunyeshuri umwumwe kumenyera kwiga.
- Amasomo y'ibanze-Icyongereza, Imibare, Siyansi n'Amasomo Mboneramubano n'ayandi masomo n'isaha yo guha amakuru abanyeshuri bashasha.
- Isaha buri cyumweru y'Ubujyenama – Biga gukoresha neza umwanya, ubuhanga bwo gutunganya neza ibintu, gufata ingingo n'ugushiraho intego igihe c'isomo ry'ubujyenema.
- Kuronka buri cyumweru iminota 45, aho abanyeshuri baronka akaryo ko kuronka uwubafasha barebye ibyo umunyeshuri umwumwe wese akeneye. Abanyeshuri baronka akaryo ko kwongereza ubumenyi mu mwuga bahisemwo cyangwa bakiga ubuhanga bushasha mu mirimo y'inshingano biha bonyene.
- Guteganya agahimbazamusyi k'ubumenyi—abanyeshuri bazaba bari muri sistemu yitwa HERO, ishishikaza kuza kw'ishuri iminsi yose no guhitamwo imyifato.

Ubumenyi n'Urugendo
Umwaka wa 9

Ubumenyi bwo mu mwaka wa 9

Imyaka 10-12



Inzira muri Rusange

Abasirikare bo mu mazi bo Gusubirira Abandi

AMAKURU YIHUTA

Abanyeshuri bose banditswe: 1, 100
Aderesi: 10200 Dixie Highway, Louisville, KY 40272
Inomero ya terefone: (502) 485-8339
UBUYOBOZI BW'ISHURI
Uwufasha Umuyobozi w'Uburezi
Umuyobozi w'Uburezi: Glenn Baete
Urwego Nyobozi: Benjamin M. Gies
Umuyobozi: Robert Stephenson
Umuyobozi w'ubumenyi: Marla Paschal
Urubuga rw'Ishuri: https://schools.jefferson.kyschools.us/High/Valley/